# ITANGAZO N°16/2024 RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 18 KIGARAMA 2024

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 18 Kigarama 2024, i Bujumbura, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu c'Uburundi, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yabanje guha ikaze Umushikiranganji mushasha ajejwe Ikigega ca Reta, Ubutunzi no Gutanganya Imigambi ari we Hon Nestor NTAHONTUYE. Yaciye ashikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama rurongera ruremezwa. Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere yaciye ahabwa akanya ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji, yarongoye ku magenekerezo ya 13, 16 na 17 Munyonyo 2024, ivyihwejwe na vyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa muri iyo nama nshikiranganji.

1. **nteguro y'ibwirizwa risubiramwo ibwirizwa n° 1/19 ryo ku wa 28 Ruheshi 2024 rishinga amafaranga Reta ikoresha mu mwaka wa 2024 ushira 2025,** 1
   yashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta, ubutunzi no gutunganya imigambi

Itegurwa ry'iri bwirizwa risubiramwo urugero rw'amafaranga Reta ikoresha mu mwaka wa 2024 ushira 2025 rije ryisunga ibwirizwa ritunganya ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta aho ritegekanya ko urugero rw'amafaranga akoreshwa rushobora gusubirwamwo mu gihe hari ibigiye birahindagurika uburyo butegekanijwe ntibungane n'ubwinjiye mu kigega ca Reta.

Ije kandi mu ntumbero yo kwikubita agashi no gukurikiza ibisabwa mw'ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta. Iyi nteguro yatunganijwe kandi hisunzwe igitabu ntangantumbero mu bijanye n'ubutunzi bw'igihugu ku kiringo c'imyaka itatu, Umugambi mukuru w'igihugu w'iterambere hamwe n'imbonakazoza y'igihugu cifashe mu mwaka wa 2040, giteye imbere mu mwaka wa 2060.

Iyi nteguro ije kandi gushimangira ivyamaze gushikwako mw'ishirwa mu ngiro ry'impinduka ziri mw'ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta rifatira ku bikorwa bitegekanijwe, n'umwimbu bizozana.
Iyi nteguro ije kandi kugira ngo ifashe mu gusuzuma ingene uburyo igihugu cegeranya bungana kugira ngo n'ivyitezwe kurangurangurwa bibufatireko.
Muri iyi nteguro y'ibwirizwa risubiwemwo amafaranga Reta ikoresha mu mwaka wa 2024 ushira 2025, uburyo bwitezwe kwinjira mu kigega burenga gato Imiriyaridi 4.211, mu gihe mu ntango hari hitezwe ayarenga gato Imiriyaridi 4.626, ni ukuvuga ko azogabanuka ku rugero rwa 8,97%.

Muri iyi nteguro isubiwemwo, ayazokoreshwa arenga gato Imiriyaridi 4.711, mu gihe ayari ategekanijwe gukoreshwa mu ntango yarenga gato Imiriyaridi 5.075, ni ukuvuga ko azogabanuka ku rugero rwa 7,17%.

Igihengeri kirenga gato Imiriyaridi 500, mu gihe igihengeri co mu ntango carenga gato Imiriyaridi 449. Ivyo biharuro vyose bikaba bishobora guhinduka gato kuko ihinyanyurwa ry'iyo nteguro y'amafaranga rikibandanya guca mu zindi nzego z'igihugu.

Mu ntumbero yo kwongereza uburyo bwinjira mu kigega ca Reta no kubukoresha neza, ingingo zimwezimwe zarahinyanyuwe izindi nshasha zirinjizwamwo, zikaba ahanini zijanye n'ibi bikurikira :

1° Kurwanya ubusuma mw'itozwa ry'amakori n'amatagisi ;
2° Kwagura ahatozwa amakori n'amatagisi ;
3° Gukingira amahinguriro yo ngaha mu gihugu ;

4° Kworohereza abazana imitahe mu gihugu ;
5° Gutegeka abenegihugu batagira amashirahamwe abavuza kugura agakarata ko kwivurizako;
6° Kurwanya ubusuma mw'itozwa rya tagisi nyongeragaciro;
7° Kurwanya uruhombo ruva ku bubeshi bwerekeye igiciro c'amazu agurishwa;
8° Gukurikirana neza ingene amafaranga ya Reta akoreshwa n'inzira bifata;
9° Kugabanya ingendo haba hanze y'igihugu canke mu gihugu hagati, hagakorwa izikenewe kandi zifise inyungu ntasubirizwa ku gihugu;
10° Gukoresha ububasha Reta ifise mu kwishuza ibirarane vy'amakori;
11° Kwubahiriza ikiranganminsi mw'itegurwa ry'amafaranga Reta ikoresha.



Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro yarayemeje, mu vyashikirijwe hakaba harimwo ibi bikurikira :

1° Gutsimbataza umuco wo gukoresha neza amafaranga ya Reta ;
2° Kwiga ingene intererano Reta itanga mu burimyi yoshikira abayikeneye gusumba abandi;
3° Kwiga umukenyuro wotuma igisata c'ubutare giterera bimwe biboneka mu kigega c'Igihugu.

## 2. Integuro y'itegeko nshikiranganji ritunganya isuzuma ry'ubukomezi bw'imodokari n'itangwa ry'uruhusha rwo gutwara abantu n'ibintu,

yashikirijwe n'umushikiranganji w'ubudandaji, gutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi

Itegeko nshikiranganji risubiramwo itegeko nshikiranganji n°720/540/946 ryo ku wa 31 Mukakaro 2023 ryarerekanye ingene umugambi wo gusuzuma ko imodokari zimeze neza ushirwa mu ngiro, hamwe n'ingene uruhusha rwo gutwara abantu n'ibintu rutangwa, ryongera rirerekana ingene

amafaranga yinjiye asabikanywa hagati y'ishirahamwe Global Smart Technologies Burundi (GST) na Reta y'Uburundi iserukiwe n'ishirahamwe OTRACO.

Inyuma y'ishingwa ry'ivyo biharuro bishasha vyisungwa mu gusabikanya ayo mafaranga, ishirahamwe GST ryaciye rishima gukuramwo akarenge. Muri uko kwidohora, Ishirahamwe GST ryerekanye ko ritagikeneye gukorana na Reta y'Uburundi, na vyo bikaba vyagaragariye muri ibi bikurikira :

1° Gutahukana abakozi bose b'abanyamahanga ;
2° Kwima agahembo abakozi b'Abarundi ;
3° Kudasubira gutanga impapuro rigahagarika ubuhinga bwakoreshwa mu kuzitunganya (logiciel).

Ariko ishirahamwe OTRACO ryarashoboye kubandanya ibikorwa, rirashiraho ubuhinga bwo gutanga urupapuro ngaragazabukomezi rw'imodokari hamwe n'uruhusha rwo gutwara abantu n'ibintu.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje ibanje kuyitosora no kuyunganira



Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 19 Kigarama 2024

**Umunyamabanga mukuru wa Reta**

**Jérôme NIYONZIMA. -**



B.P. 2800 BUJUMBURA ; Téléphone : 22 21 27 47 ; Télécopie : 22 213545 ; E-mail : sge@burundi.gov.bi